Ubutungane ku bwicanyi bufise imvo za politike

Ikete ryuguruye ryandikiwe Perezida Varisito Ndayishimiye

Ku wa 9 Mukakaro 2020

Nyenicubahiro Mukuru w'igihugu,

Tubandikiye rino kete kubw'iyimikwa ryanyu nk'Umukuru w'igihugu c'Uburundi. Turabahojeje ku rupfu giturumbuka rw'Uwo mwakurikiye, Petero Nkurunziza, tunabipfuriza kugira inkomezi n'ubwira muri ibi bihe bihambaye ku gihugu canyu.

Ubu mwinjiye mu mabanga yanyu mashasha, mwikoreye umutwaro uhambaye wo guhagarika ihohoterwa rishimikiye ku mvo za politike no kurwanya ukudahana, ivyo bikaba vyarabangamiye ubuzima bw'Abarundi benshi.

Amajambo mwavuze, mwiyamiriza ku mugaragaro ihohoterwa rishingiye ku mvo za politike, ndetse mwiyemeza gukuraho kudahana, yatanze icizere cinshi. Mw'ijambo ryanyu mwavuze mwimikwa kw'igenekerezo rya 18 Ruheshi 2020, mwarerekanye mushimitse akamaro ko kubaha agateka ka zina muntu n'ubutungane, mwavuze muti : « Turipfuza yuko ivyaha bihanwa. Uwakoze icaha yaba uwuri muri Leta canke Uwundi, twese tumushengeze. Ntitwipfuza ko hari icaha na kimwe cosubira kwirengagizwa ngo gihave kiba inkomoko y'indyane nkuko vyabaye muri kahise. » Imbere yaho, nk'Umunyamabanga mukuru w'umugambwe Inama y'Igihugu iharanira Intwaro rusangi-Umuhari urwanira intwaro rusangi (CNDD-FDD), kw'igenekerezo rya 14 Ruhuhuma 2020, mwavugiye mu Rumonge muti : « Ibi muvuga ngo 'kwihanganirana' iryo jambo ntirizonagaruka ... Ko kizira kuvuga – ngo uyu ntahanwa ngo uyu nawe ahanwe. Ukudahana nico kintu ca mbere conona. »

Harageze ko mushira mu ngiro ivyo mwiyemeje no gukora kugira ngo ivyizere vyakurikiye ayo majambo ntibiherere mu kirere. Nimwatanga ibimenyetso bikomeye – mu bikorwa, ntibigume mu majambo gusa – abakoze ivyaha bikomeye vyo guhonyanga agateka ka zina muntu, cane cane abari mu nzego z'intwaro, bagategerezwa kuzobibazwa, bizotuma abandi batinya gukora ububisha canke gutuma abo batwara kubukora kuko bazi ko bashobora guhanwa. Mu vyerekeye inzira igihugu kigiye gufata, twizeye ko intambwe zimaze gushikwako mu rwego rw'ubutungane zizofasha mu gukuraho uguhagarika imitima kwakurikiye amatora, ndetse no mu kunagura imigenderanire Uburundi bufitaniye n'abafashanya nabwo mu makungu.

Turazi neza ko nk'Umukuru w'igihugu c'Uburundi, muzohura n'intambamyi nyinshi zitandukanye kandi zikeneye umuti vyihutirwa, kandi ko muzohura n'abantu bakomeye bafise inyungu bashira imbere. Ariko

Abarundi benshi – ababatoye hamwe n'abatabatoye – bifuza iterambere mu gusubizaho ingingo ngenderwako zibubahiriza.

Ishirahamwe *Initiative pour les droits humains au Burundi* riheruka gushira ahabona icegeranyo c'amatohoza ryagize ku burorero bw'Abarundi batandatu bishwe hagati ya Gitugutu 2019 na Rusama 2020, bazira ivyiyumviro vyabo vya politike. Benshi bari abanywanyi b'umugambwe Inama y'Igihugu iharanira umwidegemvyo (CNL), umugambwe mukuru wahiganywe na CNDD-FDD mu matora.

Kubw'amatohoza yacu, abanywanyi b'umuhari w'urwaruka rw'umugambwe mwarongoye mu myaka ine, Imbonerakure, ni bo bagize uruhara runini muri ivyo vyaha. Mu ntara ya Ngozi, bagamije igitero kuri nyene ibare afise imyaka 22, Varisito Nyabenda, aho yariko agerageza kubabuza gukubita abagenzi biwe b'aba CNL muri Gitugutu 2019 ; yapfuye muri Munyonyo azize ibikomere. Inyuma y'ukwezi kumwe, mu ntara ya Bujumbura, Désiré Ntahondabasigiye, aserukira CNL ku rwego rw'intango, yarashwe bacishije mw'idirisha ry'inzu yiwe ariko arafungura ari kumwe n'umugore n'abana ; Imbonerakure zibiri zari zifise inkoho zabonywe hafi y'urugo rwiwe. Ejo bundi, muri Rusama, hasigaye indwi zibiri gusa ngo amatora abe, Imbonerakure zanyuruje Richard Havyarimana, aserukira CNL ku rwego rw'intango, mu ntara ya Mwaro. Ikiziga ciwe catowe mu ruzi inyuma y'iminsi itatu gifise inguma zimburutse ku mutwe. Asize umupfakazi akiri muto n'umwana w'amezi atatu.

Muri bumwe muri ubwo burorero, Imbonerakure zafatanije icaha n'abategetsi bo mu nzego z'intango canke n'abaserukira CNDD-FDD muri izo nzego – canke babibafashijemwo bimwe bigaragara. Akarorero, amatohoza yacu yerekanye ko musitanteri wa komine imwe yo mu ntara ya Gitega yategetse Imbonerakure kwica Jean Bosco Ngabirano, umunywanyi wa CNL, inyuma yo gushamirana nazo mu kabare muri Ruhuhuma 2020. Ikiziga ciwe catowe bukeye bwaho, gifise ibimenyetso bisa nkaho yoba yarakubiswe bikomeye. I Muyinga, bivugwa ko hari musitanteri umwe yashimiye Imbonerakure yari mu gitero cakubise Fauzia Basesuwabo – umunywanyi wa CNL – hamwe n'umugabo wiwe n'abahungu babo batatu ; Basesuwabo yapfuye asinzikajwe n'ibikomere muri Ntwarante 2020, iminsi mike inyuma yayo mahiri.

Mu bundi burorero, abakozi ba Leta boba aribo bishe abantu. Muri Ntwarante 2020, Albert Niyondiko yakekwa ko yoba ashigikiye abatavuga rumwe n'ubutegetsi bitwaje ibirwanisho, yiciwe imbere y'akazu k'ivyatsi mu ntara ya Bururi, mu gikorwa cakozwe n'abapolisi n'abakozi b'iperereza, baca bategeka ko bamuhamba ubwo nyene.

Muvyabaye i Mwaro niho honyene abagirizwa ubwo bwicanyi bagipfunzwe. Mu bundi burorero butanu, ntibigeze bafatwa, canke barekuwe inyuma y'iminsi mike. Imbonerakure, abategetsi bo mu nzego z'intango n'abapolisi babandanije batera ubwoba bamwe mu miryango y'abakorewe ivyaha inyuma y'ubwicanyi kugira ngo bagerageze kunyegeza ukuri.

Varisito, Désiré, Richard, Jean Bosco, Fauzia na Albert ni bamwe mu bakorewe ivyaha vy'ihohoterwa bazira politike vyaranze Uburundi mu gihe c'imbere y'amatora yo mu 2020. Urupfu rwabo ntirukwiye gusuzugurwa canke kwibagirwa, nk'uko vyabaye ku zindi mpfu nyinshi cane zabaye mu Burundi. Abantu benshi cane barishwe, baranyurujwe, barakomerekejwe cane canke barapfunzwe mu buryo bunyuranye

n’amategeko mu kiringo c’imbere y’amatora, kandi kenshi nta n’umwe yarengukijwe imbere y’intahe. Abanywanyi b’umugambwe CNDD-FDD nabo nyene barahohotewe kandi barafise uburenganzira bwo kurenganurwa.

Rumwe mu mfunguruzo za Kazoza k’igihugu c’Uburundi ruri mu biganza vyanyu : Ubutungane. Murashobora guhagarika ukwisuka mu mabanga ajejwe inzego z’ubutungane. Gusuzugura kurenze kw’amategeko kurangwa mu gihugu kwarononye iteka Uburundi bwari bufise mu makungu. Murashobora kubitorera umuti mu guhimiriza ku mugaragaro gukurikirana abakozi ba Leta, Imbonerakure n’abaserukira CNDD-FDD hamwe n’abanywanyi b’iyindi migambwe bagize uruhara muri bene ivyo vyaha.

Gutunganyiriza imiryango y’abo bantu batandatu bahohotewe bizoba ari ikimenyetso gikomeye cerekana ko mwiyemeje guhagarika burundu ukudahana, kandi bishobora kugarura icizere mu miryango y’abandi bazize ubwicanyi bwa politike mu kwerekana ko ubutungane buhari. Ikwirikirana ku mugaragaro ry’izo manza zitandatu naryo, zimwemu zindi, ryotuma abanyagihugu bose basubira kwizera ubutungane.

Ivyo vyokwerekana ko, nk’Umukuru w’Igihugu, mwiteguye guhanagura ivyabaye muri kahise no guhagararira Abarundi bose, nk’uko mwavyemeye incuro nyinshi. Kubatemera nubu ishaka ryanyu ryo guhimiriza ko ibintu bihinduka muri ubwo buryo, ni mufate icemezo, mubereke ko bibesha kandi ko intwaro yanyu itanguye ibihe bishasha mu Burundi.

Ishirahamwe *Initiative pour les droits humains au Burundi* ririteguriye kuganira kuri ubwo burorero butandantu, n’abategetsi babijejwe, kandi ryizeye ko mutazoteba gutanguza ibiganiro vyubaka kugirango agatega ka zina muntu gasubire kwubahwa mu Burundi, mu gihe mwiteguye guteza imbere igihugu.

Tubaye turabakengurukira,

Ishirahamwe *Initiative pour les droits humains au Burundi*

Mwipfuza kumenya vyinshi, some uru rukurikirane « Ikiguzi c’urupfu ku batavuga rumwe na Leta ».

www.burundihri.org
www.twitter.com/@BHRI_IDHB
contact@burundihri.org
+1 267 896 3399 (WhatsApp)